1. **Mudukundire imbere ya vyose tubanze, gushimira Imana Mushoboravyose, yo yadushoboje guhurira hano muri kino kibanza, kugira ngo dutanguze icese ibikorwa vy'Isabukuru y'Imico Kama n'Akaranga mu Burundi.**

- **Banyakwubahwa mwese,**
- **Batumire bahire,**
- **Banyakaranga,**

2. **Isabukuru ry'Imico Kama n'Akaranga mu Burundi twaje gutanguza icese, ryateguwe ku rwego rw'Igihugu, ku civugo kivuga ngo: « TWUBAKE UBURUNDI BWAKAKA DUSHINGIYE KU MICO YACU ».**

**Uwokumva iki civugo yohava avuga ko igihugu cacu kitakaka. Igihugu cacu kiratatse : igihugu n'abantu.**

**Imico yacu myiza ituma twubaka igihugu ciza, abanyamahanga bahurumbira, Abenegihugu bakira neza, igihugu c'amahoro n'urukundo.**

**Indamutso yonyene ni ishusho : amahoro.**

- **Duhere ku muco wo gukundisha ibikorwa :**

**Uwutarima ntamira, uwushaka umubira abira akuya, akana abute, rirenga,...urima itiro ukimbura ingonera,...Kuva kera umwana yahoha kugira umwuga**

- Ururimi :

Kwigisha bica mu rurimi, ivyese, indirimbo, imigani n'ibitito uretse ko vyigisha,biranga igihugu, ba mukerarugendo bakaza, bakamenya igihugu

- Imvyino : ni ukunezereza abantu bakaruhuka mu mutwe ndetse barazana n'amahera. Ingoma zacu, tuzikamishe
- Inkino
- Ikibiri : gukorera hamwe

- Kwigana ba Sokuru mu guhiganwa, ba sokuru bari bageze ku rugero rukomeye, mu mahinguriro, ubuvuzi, uburimyi n'ubworozi, uruhigi n'uburovyi. None ubwo bwenge

bwagiye hehe ? tubigane mu bwenge, imitwe ikora ikoranye.

- Ushaka kumenya urugo uraba inyifato y'abarubamwo

Uburundi, tubugire ikirezi ; kuva kera Abarundi bamye ari abanyamahoro, igihugu c'abakozi kiba cubatse neza, kuko mu mico y'ikirundi, ikinebwe nta kibanza gifise.

Abarundi bamye bashaza, uravye ingene uwambaye imbega atambuka ingene abigeme bamye bisiga, bagasokoza neza imishatsi ; Mu Burundi, ubuhumbu bwari kirazira, Abarundi bari abanyabwitonzi, Abarundi b'ubuntu.

**Ku bijanye n'ibirori, Abarundi bari bafise intambo, bakiginana, bakaruhuka mu mutima**
**Kubera imico yacu n'imigenzo, tugire uburundi igihugu ciza c'uburuhukiro.**

3. **Abarundi twese duhamagariwe kwubaka Uburundi bufise ijunja n'ijambo, mu karere turimwo, mu makungu, twishimikije imico n'Akaranga vyamye biranga Uburundi.**
   **Aha, sinkekeranya, nta Murundi n'umwe ayobewe ko imico kama n'akaranga bifise akamaro kanini mu mibano no mw'iterambere vy'Abarundi.**

**Nk'akarorero, nta Gihugu na kimwe gishobora gutera imbere beneco batagize urunani.**

**Muri kahise kacu, umuco n'akaranga ko gukorera mu runani, mu kibiri vyaratuma Abarundi bagwiza umwimbu.**

**Ni vyo vyatuma abantu bahura bagasangira, bakiginana, kakaba n'akaryo ko kumenyana no kwunga ubucuti n'ubugenzi. Eka no mu miryango, abana bamye biga inyifato nziza, bakiga udukorwa bokora, ivyo vyose bakavyigira haziko. Aho hari hameze nk'ishure kuko umwana yarahakura umwuga.**

4. Imico n'Akaranga vyacu twobifata nk'ikiraro kidusanisha n'abandi Barundi benewacu ikongera ikatwereka ubudasa bwacu n'abanyamahanga.

   Imico yacu ni yo itugira ihanga ; ni co gituma imico kama ari ntasubirizwa mu buzima bw'igihugu,

   kuko ni yo yerekana umuntu uko ari, akiyerekana we nyene ico ari, n'ico arimwo biciye mu bikorwa bijanye n'ubuzima bwiwe.

   Ivyo na vyo biraheza bikerekana agaciro k'intara, igihugu umurwi w'abantu uuu canke uriya ukomokamwo.

5. Imico myiza n'akaranga ni vyo bituma twubaka igihugu cacu tukaba abo turi, tukagira ico twisangije abandi batumenyerako.

Twebwe mu Burundi turahiriwe kuko kw'isi nzima turi mu bihugu bike abenegihugu bose basangiye ururimi rumwe rw'ikirundi, bagasangira n'imico kandi bakaba bazinanyi.

- Banyakwubahwa mwese,
- Batumire bahire,
- Banyakaranga,

6. Dukeneye Uburundi bwakaka, bwubatse kandi butatse. Kugira ngo bishoboke ni uko Abarundi twese tuva

hasi mu bikorwa, tukarima, tukimbura; tukagwiza umwimbu.

Ni co gituma uyu musi ari akaryo ko gusubiza amaso inyuma turabe ingene abasokuru babaho mu buzima bwabo no mu bikorwa kugira ngo bitubere icigwa mu nyifato yacu y'uno musi.

7. Abasokuru mu mico yabo baranka ikinebwe ; bahanurana bavuga bati : « Urima itiro ukimbura ingonera ». Uwusega yishoboye, bamuha duke ari two bita ko bamuhaye « genda urime », iyo ikaba ibaye inkebuzo.

N'urugo rwataha umwigeme adashikura umushike, ntawarutumbera kuhasaba umugeni.

**Abakera barigishanya imyuga, umuhungu agakurikira umwuga wa se mu gihe nyina w'abana na we ari we abigeme bakurikira.**

**Ndetse abakera bari bazi ko no kwiga bikenewe kuko bavuga ko ubwenge burahurwa bisigura ko uwuzi ubuhinga abandi baza kumwigirako, ndetse bakarenga impinga bagiye kurahura ubwenge kuko bavuga ngo : Akanyoni katagurutse ntikamenya iyo bweze.**

**Ivyo vyose babikora mu ntumbero yo kurondera iterambere. Ni co gituma abazungu baje basanga Uburundi ari igihugu cifashe.**

**8. Mu ntwaro y'igihugu n'imibano, Umwami yamye ari Sebarundi,**

umucamanza kizigenza. Ubutegetsi bw'igihugu bwari butunganije ku buryo ata mwenegihugu yabura umutware yitura iyo yazazaniwe.

Abarundi bari bazi no gukingira igihugu cabo, ari co gituma mu vyo bahingura n'ibigwanisho vyari birimwo.

Kumwe n'ivyo, imico n'imigenzo vy'Uburundi ni vyo vyazanye akanovera mu miryango,

guhana abageni vyatumye Abarundi bunga ubucuti, gurtyo Abarundi bose bakababaho murunani.

9. Basogokuru bari bazi ko umwibu mwishi uva mu gukorera hamwe mu

kibiri ari co uno musi twita amakoperative.

Bari bazi ubwenge bwo kubika umwimbu no kuwuhingura. Abarundi bari bafise amahinguriro ahingura ibikoresho nk’amasuka, n’ibindi bikoresho vyo mu mirima, ndetse no mu migambi y’ubutunzi, bari bazi kurima, kworora, kuroba no guhiga.

Bari bafise amahinguriro ahingura ubutare, impuzu n’ivyimburwa.

10. Uretse n’ivyo Abarundi bari bazi no kudandaza, bagasumira mu yindi mihingo y’igihugu no mu mahanga ivyo batagira na bo bagashorera ahandi ivyo bimbura.

11. Ibikorwa vy'iyi sabukuru y'imico n'akaranga k'Uburundi, twipfuza ko bitubera akaryo keza ko kwirimbura, kwungurana ubumenyi, guhanahana amakuru n'ivyiyumviro nko ku bijanye no gukomeza hamwe no kumenyekanisha Imico n'Akaranga vy'Uburundi twarazwe na basokuru, haba ku rwego rw'igihugu, ku rwego rw'Akarere, tutibagiye no ku rwego mpuzamakungu,

kuko tuzi neza ko imico n'akaranga ari inkingi ntasubirizwa mw'iterambere ry'igihugu.

**12. Aha rero naho umwe umwe muri twebwe dukoraniye muri kino kibanza ndetse n'uwundi wese atashitse hano, aho yoba ageze hose yiyumvamwo ko ari Umurundi koko, yokwibaza canke agatorera inyishu utubazo dukurikira :**

**(i)Mbega jewe nk'Umurundi, noshobora kwemera ko nzi kandi nirata imico n'akaranga vy'igihugu canje c'amavukiro ?**

**(ii)Mbega urwaruka ari bwo Burundi bw'ubu n'ubw'ejo, rwoba ruhurumbira uko vyategerezwa Imico n'Akaranga k'igihugu cabibarutse ?**

**(iii)Ubwo ntaho imico mvamahanga ari yo ihurumbirwa gusumba imico n'Akaranga vy'Abarundi ?**

**(iv)Mbega noba ndiko nkora iki kugira nshobore guteza imbere canke nkingire imico n'akaranga vyamye biranga Uburundi bw'Abarundi ?**

**13. Umwe wese yiyishure, yinegure canke yitere amashurwe, ariko azirikane ko ivyo vyose vyoba vyiza abisabikanije n'abandi kugira duteze imbere imico n'akaranga vyacu,**

**kuko tuzi neza uruhara bifise mw'iterambere ry'igihugu.**

-  **Banyakwubahwa mwitavye bino birori,**
-  **Batumire bahire,**
-  **Banyakaranga,**

**14. Mu gihugu cacu rero, duhiriwe duhishije, kuko n' ishirahamwe ry'Ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko Uburundi bwinjiyemwo kuva ku wa 01 Mukakaro 2007, EAC, riraha ikibanza kidasanzwe imico n'Akaranga mw'iterambere ry'ibihugu birihurikiyemwo.**

**15. Inama y'Abashikiranganji b'Ibihugu bigize Umuryango wa Afirika y'Ubuseruko yasavye,**

**mu 2011, ko hokwama hategurwa isabukuru ry'imico kama (JAMAFEST), ryoza riraba uko imyaka ibiri iheze, ku civugo kiba cumvikanyweko.**

**Uno mwaka, iryo sabukuru y'Imico kama, JAMAFEST ryateguwe ko rizobera hano iwacu.**

**Duhamagariye abenegihugu bose na canecane abakorera mu bijanye n'imico kama n'akaranga, kwitegurira iyo sabukuru igira gatanu ryo mu karere kacu.**

- **Banyakwubahwa mwitavye bino birori,**
- **Batumire bahire,**

- **Banyakaranga,**

**16. Umuntu yihweje neza, asanga ibigize imico n'akaranga vy'Abarundi bishobora kuronka ikibanza muri kimwe kimwe mu bigabane bitanu bikurikira :**

**(i)Amayagwa n'imvugo biri mu rurimi rw'amavukiro kuko ari rwo imico n'imigenzo bicako ;**

**(ii)Inkino n'ibirori ;**

**(iii)Imigirwa n'imihango yerekeye imanza n'imisi mikuru ;**

**(iv)Ubumenyi n'ubuhinga bwerekeye kamere k'ibintu, ijuru n'ikirere hamwe no kurata imideri mishasha,**

**(v)Ubwenge n'ubuhinga vyibonekeza mu myuga kama itandukanye.**

**17. Ikiza ciyongera kuri ivyo, ni uko intara kama yose, usanga yifitiye ibiyiranga mu bijanye n’imvyino hamwe n’intambo z’ikirundi.**

**Aha twotanga uturorero duke muri twinshi, nk’agasimbo (Buragane), Intore (Bugesera), umutsibo (Buyogoma no mu Kumoso), umurisho w’ingoma (Kirimiro), ubudemera n’ihuruma mu kumoso, akanyarusizi mu Cibitoke, urwedengwe i Ngozi,…**

18. Muri kino gihe turahimbarwa no kubona imico n'akaranga vyijukiwe cane n'imirwi itandukanye na cane cane urwaruka, aho baja hamwe bakigishanya kuvyina no gutamba intambo zitandukanye biranga igihugu cacu ;

tukaba tubatera intege tubasaba kubandanya muri iyo nzira yo gutsimbataza imico n'imigenzo vy'igihugu cacu.

19. Ariko naho biri uko, imico n'Akaranga vyacu bigenda bibangamirwa n'irwirirana ry'imico mvamakungu biciye muri bwa buhinga bwa none. Aha rero dutegerezwa

**kuhagabira, tukamenya kwakira ibitugirira akamaro no kwanka ibidusamburira Imico n'Akaranga ndangaburundi kandi ari ryo tunga rikomeye tuzoraga uruvyaro rwacu.**

- **Banyakwubahwa mwese,**
- **Batumire bahire,**
- **Banyakaranga,**

**20. Imbere yo kurangiza iri jambo, twagire tubatekerere impanuro ngenderwako zotuma twama tuzirikana imico yacu, gurtyo tukayibungabunga:**

- **Muri ibi bihe tugezemwo, urwaruka cane cane mu bisagara muhagabire, kuko mushobora kuvoma ibibatesha**

ubuntu bwamye buranga Umurundi, kubera ibintu bitari bike bitabereye bica ku mboneshakure canke ubuhinga ngurukanabumenyi.

Turazi ko atari ibintu vyoroshe muri kino gihe kuko urwaruka rutegerezwa kujana n'iterambere rya none. Murabaza ababakurira babereke ikibereye kuko ngo : « Uwugeze mu mayira abiri akizwa n'ukubaza ».

Ntimupfe kwakira vyose ngo ni amajambere kuko mwosanga mwitaye mu nyenga izobagora gusohoka.

- **Umurundi wese na we namenye ko igihugu kitagira akaranga kimeze nk'igiti cumye imizi.**

  **Biragoye kuvuga ko ukunda Igihugu cawe wanka imico n'akaranga vyakujije Uburundi n'Abarundi.**

  **Tugaruke rero kw'isoko mu kugendera no guteramira imico myiza yamye iranga Igihugu cacu kuko na kare ngo :**

  **« Uta akaranga ukaba utaye akabanga ugatorana akaranda ».**

- **Turasavye umwe wese ngo azirikane icivugo c'uno musi gurtyo, tugire igihugu c'iteka, gisharije, cakaka, kirangwa n'imico n'akaranga vyiza**

**bishimwa na bose. Twibuke imico yacu dufatiye ku civugo ngo Umufuko wose uronke amafaranga:**

**Nitwigishe, tumenyereze abana bacu hakiri kare, bagendere ubuntu bushingiye ku mico n'akaranga vyacu; tubigishe ururimi rwacu, bamenye kandi ico bakwiye gutinya canke kwigana, bamenye gutandukanya ingeso nziza n'ingeso mbi.**

-  **Dusavye ko indero n'ubumenyi abana baronka mu mashure vyokwama vyisunga imico n'akaranga kacu, abana bakamenya kuvuga no kwandika ikirundi cacu, kuko ururimi ari intango ya vyose.**

**21. Mu gusozera twashaka dukengurukire bimwe bivuye ku mutima, abatunganije n'abitavye rino Sabukuru ry'Imico n'akaranga, kuko iyi misi ibiri rizomara ari akaryo keza ko kwereka Abarundi n'Amakungu ubutunzi bw'igihugu bushingiye ku mico kama n'Akaranga. Mumenye ko mutaje kwerekana uwurusha uwundi, kuko umwe wese afise akabirya**

**22. Ni kuri aya majambo turangirijeko twemeza ko dutanguje icese ibikorwa vy'isabukuru ry'imico kama n'Akaranga ryatunganijwe ku rwego rw'igihugu ku civugo : *« TWUBAKE UBURUNDI BWAKAKA DUSHINGIYE KU MICO***

***YACU ». Nimwaheza, batatu bambere nzobaha inka***

**Niharambe imico kama n'Akaranga vy'Uburundi ;**

**Niharambe Uburundi n'Abarundi ;**

**Imana ibahezagire ;**

**Murakoze.**